Icegeranyo c'inama yo gutanguza Diaspora muri Queensland Kuwa 17/Munyonyo/2012 Woodgrige/ Multilink; isaha zine z'agatondo.

Urutonde rw'ivyirwa:

1. Kwigira hamwe ishirwaho rya komite nfatakibanza yoba irarongoye Diaspora ya Queensland.

Abitavye:

- Juvenal Ndayishimiye
- Innocent Nsengiyunva
- Rajabu Rashid
- Silvia Niyonsba
- Felix Manirakiza
- Bonheur Rukundo
- Tharcisse Musavyimana
- Ntahan Nitunga
- Joseph Misago
- Adelphine Kwizera
- Clotilde Rurira
- Jonathan Nkurunziza

Abamenyesheje ko vyabagoye

Jean Pierre Niyibaruta

1.1 Uwurongoye ABCQ yatanguye aca kumayange uko ico ciyunviro co kutanguza Diaspora Muri queensland catanguye, Akamaro ka Diaspora ngaha tubaye eka niyo twataye urujogi.
1.2 Uwurongoye Diaspora vy'infata kibanza muri Australia yaremeye kuzotuma intumwa yiwe ikaza kushigikira ishirwaho rya komite izorongora Diaspora Queensland munana ya bose
1.3 Hazotegurwa amatora ya barongoye Burundi diaspora muntara(states) zigize Australia. Muribo bazitoramwo abazorongora Burundi diaspora Kurwego rw'igihugu
1.4 umunyamabanga wa ABCQ yaratanze icegeranyo c'inama yabanjirije:
    - abari baserukiye Queensland mu nama yabereye iburundi basabwe kugira uruhara ntangere mw'ishirwaho rya komite ya diaspora muri Queensland
    - Uburongozi bwa ABCQ kutivanga mumikorere ya Diaspora, ariko bakabandanya gufata mumugongo abahagarariye Diaspora mugusigurira abanyagihugu akamaro ka Diaspora no kutumaho amanama.
    - Hakabaho amategeko ya Diaspora yunvikana kandi atabogamye yugururira imiryango abaribo bose
    - Abamaze kwunva ico diaspora imaze bakabandanya babisigurira abandi kugira ngo igitigiri c'abanywanyi ciyongere

1.5 Amakenga ko abantu benshi batazi ico Diaspora yoba ije kubafasha. Bamwe bati ubwo si polotike.

1.6 Biragaragara ko urwaruka rwama rwibagiwe, ninaco gituma hobaho inyigisho kurwaruka nabo bagategera ico Diaspora imaze

1.7 Hasabwe ko hobaho inyigisho kubarundi bose mu nama ya bose bagasigurirwa imigabo n' imigambi ya Diaspora

1.8 Harashizweho komite y'infatakibanza izobandanya gukorana n'abarongozi ba ABCQ mw'itunganywa rya diaspora kugeza ku matora ya rusangi :;komite igizwe na:

- ❖ Tharcisse Musavyimana
- ❖ Silvia Niyonsba
- ❖ Adelphine Kwizera
- ❖ Jean Pierre Niyibaruta
- ❖ Joseph Misago
- ❖ Bonheur Rukundo

1.9 Ino komite izitoramwo umuhuza bikorwa azokorana n'uburongozi bwa ABCQ kugeza tugeze ku matora ya komite bwegu ya diaspora.

2.0 Ibikorwa nyamukuru ino komite izoba ijejwe ni;

- Kusigurira abanywanyi n;abanyagihugu muri rusangi akamaro ka diaspora
- Kuvugana n'abarongoye Diaspora kurwego rw'igihugu no kurwego mpuzamakungu bakabasha gutahura impanvu biyunviriye gushinga Diaspora, imigabo n'imigambi yayo, ko ntapolotike yihishije inyuma. Akamaro kubarundi bari ngaha n'ababa iburundi. Ibi bikaba vyofasha munyigisho bazoha abanyagihugu
- Gusaba Abakuriye diaspora kurwego rw'igihugu kuhindura amegeko(Ibwirizwa nshingiro rya Diaspora bakayashira mu ndimi ngaha dukoresha ari zo ikirundi n'icongereza.
- Bagasaba abo bayobozi nyene ko ayo mategeko yaca ashirwa kurubuga rwa Internet ya Diaspora abanyagihugu bikaborohera kuyasoma

2.1 Inama yarangiye isaha zitandatu ni nusu isavye ko iyo komite yozotunganya inama yoguhugurana imbere y'uko hazotumirwa inama ya bose.